Igisáta c'Indero i NSW

Behaviour code for students

Information for students and parents or carers

# Amategeko yerekeye indero y'Abanyeshure

Ibimenyeshejwe abanyeshure n'abavyeyi canke abarezi

Amashure ya Reta y'i NSW yiyemeje indero itangwa mu mutekano, ishigikira kandi igafasha uwo ari we wese kwiga neza mu bisata bitandukanye vy'ubumenyi. Turigisha tukaba n'imboneza mu nyifato ntavangura kandi zikingiwe duhá agaciro mu banyeshure bacu.

**Mu mashure ya Reta y'i NSW, abanyeshure bitezweko, uko bishoboka, ibi bikurikira:**

- Kwŭbaha abandi banyeshure, abigisha babo n'abakozi b'ishure, hatibagiwe n'abagize ikibano
- gukúrikiza amatégeko y'ishure n'ayerekeye isomero kandi bakagamburukira abigisha babo
- guháranira kwiga cane ngo baronke amanota yo ku rugero rwo hejuru cane
- kurangwa n'inyifato y'úbutêkereji n'ukwubaha itumá abagíze ikibâno-shŭre bose bumva ko bafise agaciro, badakumiriwe kandi bashigikiwe
- gutorera umuti amatati mu kwubaha, mu bwitonzi no mu butungane
- kwambara umwambaro wemewe n'ishure n'ugukurikiza inyambaro yumvikanyweko
- kuba mw'ishure imisi yose (kiretse basabiwe uruhusha rwemewe n'amategeko)
- kwubahiriza ibitunzwe n'ishure
- kuba mu mahoro n'ukutagwana canke ngo bazane ibigwanisho, ibiyovyabwenge, ibibóreza, inkóno z'itabi, imisogoto ihinguwe canke amababi y'itabi mu mashure yacu
- kudákāngána, kudákubágurana, kudátērána ubwoba, canke kudákumîra mu mashure yacu.

Amashure aratanga ibihano igihe cose hadutse inyifato ihungabanya nyeneyo canke abandi, ikabangamira ibikorwa canke ikabúrabuza akanovera karuhariwe mu kwigisha n'ukwiga.

**Abanyeshure bose bafise uburenganzira bwo:**

- gucungererwa umutekano kw'ishure
- guhabwa indero n'ukugira umwidegemvyo w'ukugira uruhára mu kwiga kwabo
- kwubahirizwa n'abandi banyeshure, abigisha n'abakozi b'ishure
- Kuvúga iryó bagoná, gutomora intumbero zabo n'uguharanira agateka kabo.

Umuyobozi n'umukozi w'ishure, bakoresheje ifatangingo rishingiye ku burambe, ni bó bônyené bemerewe guhagararira indero n'ukugenzura ugukingirwa, ugushigikirwa n'ugutera imbere kw'ubumenyi, hamwe n'ugufata ingingo zibereye, igihe abanyeshure batariko barakórerwa ivyo vyītézwe.

Igisáta kijējwe gutânga intumbero ngenderwako n'ibikenewe nk'impapuro ndangabumenyi zemewe n'amategeko, kuronswa impanuro n'abahinga badasanzwe, hamwe n'ukwigishwa kw'ubuhinga mu kurōngōra kumuríkira abayobozi n'abakozi babo mw'irangurwa ry'ingingo karuhariwe bafatá.

Kubwo iyo mvo, Reta y'i NSW n'Ígisáta c'Índero bazoshigikira uburongozi n'ingingo zifatwa n'Abayobozi n'Abakozi b'Amashure mu mihingo yose.

**Inyifato ibereye abanyeshure: Ingiro z'Abanyeshure**

Iyubahirizwa ry'úkudákumîra, indero, ukumérerwa neza, hamwe n'umutekano vy'abanyeshure bose mu mashure ya Reta y'i NSW ni Ihangiro ry'Igisata c'Indero.

Dushira mu ngiro ubuhinga bw'ukwigisha n'ukwiga mu bisata bitandukanye ngo dushigikire iterambere ry'ubuhinga bukenewe n'abanyeshure kugira ngo bashike ku rwego rw'ubumenyi karuhariwe twipfuza bufatanye n'ingeso nziza, mu mutekano n'iteka.

**Kugira ngo ivyitezwe aho haruguru bishíkwekó, abanyeshure bo mu mashure ya Reta y'I NSW, uko bashobora kwose, bokwisunga ingingo ngenderwako zikurikira.**

**Ukwubaha**

- Kwubahirizanya hagati yabo.
- Guhanahana amakuru n'ukurangwa n'ubwitonzi mu nyifato zabo.
- Kugira ishaka mu gukorana n'abandi banyeshure, abigisha n'abakozi b'ishure.
- Kwunga imigenderanire myiza kandi y'ukwubahana.
- Guhá agaciro inyungu, ubushobozi n'imico vy'abandi.
- Kwubahiriza ivyo abandi bakeneye mu kwiga.
- Kwiyambika neza mu kwambara umwambaro w'Ishure uzwi n'inyambaro ibereye.
- Kubungabunga ibitunzwe n'ishure n'ibikoresho vy'abakozi hamwe n'ivyo abandi banyeshure.

NSW GOVERNMENT

### Umutekano

- Kuba akarorero n'ugukurikiza amategeko ngenderwako kw'ishure no mw'isomero mu vyerekeye inyifato n'indero.
- Gutorera umuti amatati mu mwumvikano.
- Kwiyubara n'ukwitwararika ingene inyifato zabo hamwe n'ingiro zabo bigira ingaruka ku bandi.
- Kwiyubara ubwabo n'ukubungabunga abandi.
- Kwikingira n'ugufasha abandi kugira amahitamwo arimwo ukwikingira, ku buryo batīsésereza canke ngo baseséreze abandi.

### Kwiyemeza

- Gushika kw'ishure no mw'isomero kw'isaha.
- Kwama biteguriye icigwa ico ari co cose.
- Kugira umwete udasanzwe mu kwiga.
- Guháranira n'úguhiganirwa kwunguka ubumenyi ku rwego rwo hejuru cane.

### Ubufashá Nsóbānurarúnimi kū Mvugirakure

Asangwa ukeneye kumenyeshwa ibindi vyinshi, igōre uhamágare umuyobōzi w'ishure. Ukéneye umusóbānuzi ngo agufashe mu bibazo ufise, igore uhamágare Abajejwe Ubufashá nsóbūnurarúrimi kū Mvugirakure kuri 131 450, usabé umusóbānuzi w'úrurimi ukenéye.

Bwira umuhinga inomero ugomba guhamagarako maze uwo muhinga azoca akuronsa umusóbānuzi ku murongo agufashé mu kiganiro cawe. Ntuzorihishwa kubwo ivyo.